**Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika**
**Umwaka wa 72**
**Gisohoka kabiri mu kwezi**
**Ikiguzi : 500FBu**

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Facebook:Ndongozi y'Uburundi

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°83 15 Ruhuhuma 2025

# Umwizero ntutetereza kandi uradukomeza mu bihe bigoye

*Ku munsi mpuzamakungu wahariwe abagwayi ugira uwa 33, Nyenubweranda Papa Fransisko yarashikirije inyigisho umuryango w'abakristu, agira ati:*

Bavukanyi mwese nkunda,

Turiko turahimbaza Umusi mpuzamakungu ugira uwa 33 wahariwe abarwayi, muri uyu mwaka wa Yubile y'imyaka 2025, aho Ekleziya idutumirira gucika abasangirarugendo ku bw'ukwizigira.

Paulo mweranda arabidufashamwo ku bw'inyigisho yiwe aho agira ati: *« Umwizero ntutetereza», (Abanyaroma 5, 5) kandi uradukomeza mu bihe bigoye.*

Iyo mvugo iraremesha. Yamara irashobora kuvyura muri twebwe ibibazo, na cane cane ku bantu basanzwe bari ku musego, babaye.

Nk'akarorero, twoguma turemye gute, mu gihe tugendana umusonga mu mubiri, uturutse ku ndwara zikomeye, kandi zisaba uburyo bwinshi, burengeye ubushobozi dusanganywe, kugira ngo zivurwe ? Twoguma dutekanye gute, mu gihe tubona abadukunda, naho bagerageza kutuba hagufi, na bo nyene ata buryo bukwiye bafise bwo kutwunganira ?

Muri ico gihe, turumva ko dukeneye intabaro irengeye rwose iy'abantu : dukeneye ubufasha bw'Imana, bw'inema yiwe, ubuntu bwayo, dukeneye izo nkomezi ari zo ngabirano ya Mutima Mweranda wiwe (raba Ikatekisimu y'Ekleziya Gatolika, 1808).

Munkundire, dufate akanya tuzirikane ingene Imana igumana n'ababababara, mu kwihweza cane cane impande zitatu : uguhwana, ingabire n'ugusangira.

**1. Uguhwana.**

Mu kurungika abigishwa mirongo indwi na babiri mu butumwa (raba Luka 10, 1-9),

Yezu yarabihanikirije ngo bamenyeshe abarwayi : «Ubwami bw'Imana buri hafi yanyu » (v.9).

Soma ku Rup. 3

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Uwihebeyimana ni ingabirano Imana yahaye isi.



Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Harakenewe ibiganiro kugira intambara ihagarare muri RDC.................7
o Ikinyabusabire Mercure, ni uburozi bubangamiye ubuzima bw'umuntu.........8
o Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza.........10
o Umuryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt ugiye kwunguka abandi bigeme.........12

# Idominika y'indwi: *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *1Samuel 26,2.7-9.12-13.22-23*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Samuweli :

( *Dawudi yanka kwihora*)

Muri irya minsi, Sawuli yarahagurutse, afata urugendo amanuka mu bugaragwa bwa Zifu, ajana n'abantu ibihumbi bitatu, intwari muri Israyeli, ngo baje gufata Dawudi mu bugaragwa bwa Zifu. Dawudi na Abishayi bagenda mw'ijoro ahari izo ngabo, basanga Sawuli aryamye yasinziriye mu rusago, icumu ryiwe rishinze hasi iruhande y'umutwe wiwe. Abuneri n'ingabo bari baryamye bamukikije.

Abishayi abwira Dawudi ati: «Uyu musi Imana yataye umwansi wawe mu minwe yawe; ubu rero ndagusavye undeke ndamucumite icumu, ndamumatanye n'isi kimwe na kimwe, ntarinze kugereka.» Ariko Dawudi abwira Abishayi ati: «Ntumwice! Ni nde yoshobora gukoza iminwe ku wasizwe amavuta n'Umukama hanyuma ntahanwe?»

Dawudi yakira rya cumu na wa mubindi w'amazi vyari iruhande y'umutwe wa Sawuli, barigira. Nta n'umwe yabibonye, nta n'umwe yabimenye, eka nta n'umwe yikanguye kuko bose bari basinziriye; nkako itiro ryinshi rivuye ku Mukama ryari ryabahwikiye.

Dawudi aja hakurya yaho, ahagarara kure kw'isonga ry'umusozi. Hagati yabo hari ikirere kinini.Dawudi yishura avuga ati: «Ng'iri icumu ry'umwami. Nihagire umwe muri iyo misore ajabuka kuryakira. Umukama azohera umuntu wese akurikije ubutungane bwiwe n'ubudahemuka bwiwe kuko Umukama yari yagutaye mu minwe yanje uyu musi, nanje ndanka gukoza iminwe yanje ku wasizwe amavuta n'Umukama.

## Igisomwa ca kabiri: *1Abanyakorenti 15,45-49*

Ivyo dusoma mw'Ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti :

( *Kristu, Adamu mushasha*)

Ncuti zanje : Adamu wa mbere yabaye umuntu afise ubuzima. Adamu wa nyuma nawe, ariwe Kristu, niwe wa Mutima atanga ubuzima. Mugabo, ntihatanguye kuboneka uw'umutima, hatanguye uwugenzwa n'umubiri, hanyuma haza haza uwurimwo Mutima. Kubera ko yabumbwe mw'ivu, umuntu wa mbere yavuye kw'isi; umuntu wa kabiri we yamuka mw'ijuru. Uko uwukozwe mw'ivu ameze, ni ko n'abakozwe mw'ivu bazomera. Uko uwamuka mw'ijuru ameze, ni ko n'abamuka mw'ijuru bazomera.

None rero, nk'uko twambaye agashusho k'uwakozwe mw'ivu, ni ko tuzokwambara n'agashusho k'uwamuka mw'ijuru.

## Inkuru nziza: *Luka 6,27-38*

**Alleluia Alleluia,**

Umukama yavuze ati : « Ndabahaye itegeko rishasha : nkuko ndabakunze, nimukundane namwe!»

**Alleluia.**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Luka :

(*Nimube abanyakigongwe , nkuko So wanyu ari umunyakigongwe*)

Umunsi umwe, Yezu yabariye abigishwa biwe ati: " Mwebwe munyumviriza, ndababwiye nti: "Nimukunde abansi banyu, mugirire neza ababanka, muhezagire ababavuma, musabire ababadodobereza. Nihagira uwugukubita kw'itama rimwe, uramutega n'irindi. Nihagira uwugutwara igikwemu, ntuze umwime n'ikanzu. Uwuzogusaba wese uramuha, kandi nihagira uwugutwara utwawe ntuze udukurikirane. Uko mushaka ko abandi babagirira, bagirire uko nyene namwe.

Nimwakunda ababakunda gusa, vyobamarira iki? N'abanyakabi nyene barakunda ababakunda. Nimwagirira neza ababagirira neza, vyobamarira iki? N'abanyakabi niko bagira. Nimwagura abo mwishimiye ko bazobasubiza, vyobamarira iki? N'abanyakabi baragurana abanyakabi ngo baronke ibingana bino.

Mweho rero nimukunde abansi banyu, mukore ineza, mugurane ata co mwiteze gusubizwa. Gutyo impera yanyu izoba nini, kandi mube mubaye abana ba Rudasumbwa, kuko agirira neza intashima n'ababisha.

Nimube abanyakigongwe, nk'uko na So wanyu ari umunyakigongwe. Ntimucire abandi urubanza, niho namwe mutazorucirirwa. Ntimucire igihano abandi, niho namwe mutazogicirirwa. Nimurekurire abandi, niho namwe muzorekurirwa. Nimutange, niho namwe muzohabwa ku ngero nziza, yuzuye, itsindagiye kandi isesekaye. Ingero mugeresha ni yo namwe muzogererwako".»

# Umwizero ntutetereza kandi uradukomeza mu bihe bigoye

*(Bitangurira ku rup.1)*

Mu yandi majambo, yabasavye, kubafasha gutegera ko naho bababara, kandi bikababagora no gutegera, ni akaryo ko guhwana n'Umukama.

Nkako, mu ndwara, turiyumvamwo cane amagara make nk'ibiremwa nyene, yaba ay'umubiri canke ay'umutima ; ku rundi ruhande biraduha kwinovora iciza c'abatuba hagufi hamwe n'impuhwe z'Imana ziseruye muri Yezu-Kristu yiremetse amagorwa yacu.

Ntiyigera ayadutererana mbere kenshi aranadutangaza biciye ku ngabire aturonsa yo kwihangana no kurya umutima amenyo tutoshoboye kwibaza ko tworonse ku bw'ubushobozi bwacu.

Ico gihe rero, indwara itubera akaryo ko guhwana n'Imana, bikaduhindura ; kuko twubura urutare ntayegayezwa dushobora kwishimikiza ngo duhangane n'ibihuhusi vy'ubuzima. Ivyo ducamwo biradukomeza cane, naho vyodusaba kwigora kuko tuguma twumva ko tutari twenyene.

Ninaco gituma bavuga ko ukubabara kwama kwibungenze ikinyegezwa c'urukiza : turaharonkera akaryo ko kwumva ko uruhoza nyakuri rw'Imana ari ho ruri « ku buryo dutegera Injili uko yakabaye n'imihango yose be n'ubuzima » (Saint Jean-Paul II, Discours aux jeunes, Nouvelle-Orléans, 12 septembre 1987).

**2. Reka rero dutandukire iciyumviro ca kabiri : ingabirano**.

Mu bubabare niho dutegera ukuruta ko umwizero wose ukomoka ku Mukama, kandi ko ari ingabire dutegerezwa kwakira tukanateza imbere, ari nako, nk'uko Madeleine Delbrêl, abivuga « tugumya ibanga/ tukirinda guhemukira ubugumyabanga bw'Imana » ( raba Nous autres, gens des rues, Livre de vie, 1966). Kandi si vyo gusa.

Mw'izuka rya Kristu niho honyene kazoza kacu kuzuye gafise ikibanza, kandi gatumbereye gutamanzurira mu buhirwe bwamaho.

Ipasika yiwe, ni yo nsa iduha umwizero ko ata nakimwe, « ata rupfu canke ubuzima, ata bamarayika canke inganji, ata n'ibiriho canke ibizoza, ata bifise ububasha, ata biri mu kirere canke ibwina, ata n'ikiremwa na kimwe kizoshobora kudukura ku rukundo rw'Imana» (Abanyaroma 8, 38-39).

Amasôko yose y'umuco yunganira umuntu ngo arengere amageragezwa n'intambamyi mu buzima, aturuka muri uyo « mwizero ukomeye » (cf. Benoît XVI, Lett. enc. Spe salvi, 27.31).

Bitayeko, Uwazutse agendana na twe, akigira umugenzi wacu, dusangiye urugendo, nka kurya kwa ba bigishwa b'i Emawusi (cf. Lc 24, 13-53).



Nkabo, turashobora gusangira ukuzazanirwa, imyitwarariko, uguhemukirwa, tugashobora kwumviriza Ijambo ryiwe ribonesha rikongera rigasusurutsa umutima wacu.

Turashobora kumumenya ko turi kumwe mu kumanyura umukate, tukumva ko tugumana muri k'ubu. Araduha gutegera uko kubona kure, ari nako kuduha ingoga n'ukumwizigira kuko atwiyegereza.

**3. Ubu naho turashikiriye iciyumviro ca gatatu : ugusangira.**

Aho usanga abantu bababara ni naho kenshi usanga bazi gusabikanya, umwe wese agatungisha abandi. Ni kangahe bishika ugasanga ukurwaza umurwayi biratwigisha kwizigira ! Ni kangahe ukwiyegereza umugwayi bitwigisha kwemera! Nikangahe twubura urukundo iyo twemeye kwiyegereza abari mu bukene!
Mu yandi majambo twisanga twacitse « abamarayika » b'umwizero, twabereye abandi abatumwa b'Imana, twese atanumwe avuyemwo: abarwayi, abaganga, abavuzi, abo dusangiye umuryango, abagenzi, abasaserdoti, abihayimana bose; n'aho tubaye ni uko : mu miryango, mu bitaro, mu bigo bivura, ibitaro n'amavuriro.

Ni vyiza kandi kumenya gutangarira ubwiza n'insiguro y'ayo mahwaniro y'imigisha kandi tukamenya kuyazigama mu mushaha kugira ntituyibagire : kuzigama mu mushaha ukumwenyura kwuzuye ubuntu kw'umuvuzi, indabo ikenguruka kandi yuzuye umwizero y'umurwayi, mu maso hategera kandi huzuye umwitwarariko tubona mu muganga canke mu mutangakivi, amaso aserura ico umuntu yiteze canke amakenga afise, mu maso y'uwo mwubakanye, y'umwana, y'akana gato, y'umukunzi ashika.

*Ibik. urup.5*

# Uwihebeyimana ni ingabirano Imana yahaye isi

*(Bitangurira ku rup. 1*

Uko umwaka utashe kw'igenekerezo rya 2 Ruhuhuma, Ekleziya irahimbaza umunsi mukuru w'iherezwa rya Yezu Kristu mw'isengero ry'i Yeruzalemu. Kuva mu mwaka 1996 umweranda Yohani Pawulo wa kabiri yarashinze ingingo ngo ko uwo munsi woba umusi mpuzamakungu w'abihebeyimana. Uwo munsi ukababera akaryo ko gukenguruka ku buzima bahebeyimana mu gukurikira Yezu Kristu.

Muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura uwo munsi mukuru wahimbarijwe muri Paruwase Mikaheri mweranda. Nyenicubahiro Musenyeri Evariste Ngoyagoye ari mu karuhuko kizabukuru niwe yahereje inkuka ya misa igihe c'isaha zine zo mu gatondo akikijwe na nyakubahwa Musenyeri Anatole Ruberinyange icegera c'Umwepisikopi mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, patiri mukuru wa paruwase Mikaheri mweranda hamwe n'abandi basaseredoti bari baje gushigikira abihebeyimana.

Nyakubahwa musenyeri Anatole Ruberinyange niwe yasiguye ijambo ry'Imana. Imbere yiyo nsiguro, yabanje gukengurukira nyenicubahiro musenyeri Evariste amuhaye ako karyo, yongera ashikiriza abihebeyimana indamutso y'Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yafatiriwe n'imvo y'ubutumwa, abamenyesha ko afise ku mutima abihebeyimana kandi akenguruka ubutumwa barangura.
Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, yayitanze mu ntambuko zine.

**Umunsi mukuru w'iherezwa rya Yezu mw'isengero y'iYeruzalemu waje gute?**

Ati: « Mu binjana vya mbere, uyo munsi mukuru ntiwari bwaronke aho ushimikira. Ni mu kinjana ca gatatu watanguye guhimbazwa inyuma y'iminsi 40 inyuma ya Noheri. Mu mwaka wa 430 niho bashinga ko ku wa 2 Ruhuhuma uko umwaka utashe uzoza urahimbazwa.

Uwo munsi, muri Ekleziya y'uburengerazuba wagiye urahindura amazina. Ubwa mbere witwa umunsi mukuru wa Simeho, hanyuma umunsi mukuru wa Bikira Mariya bashingiye kugutyororwa kwiwe.

Mu mwaka 1970, Papa Pawulo wa 6 yashinze ko wokwitwa umunsi mukuru w'iherezwa rya Yazu mw'isengero. Gurtyo witwa umunsi mukuru w'Umukama. Papa Yohani Pawulo wa kabiri mweranda awushirako igikumu yemeza ko kuri uwo munsi hohimbazwa umunsi mpuzamakungu w'abihebeyimana hari 1996. Waciye utangura guhimbazwa 1997.

Ni kandi umunsi mukuru w'umuco. Simeho yaburiye Bikira Mariya ko Yezu ari umuco w'amakungu yose. Niho kuri uwo munsi bahezagira amatara ngo kibe ikimenyetso c'uko uwabatijwe wese ategerezwa kuba umuco w'isi.

Itara rikaba rifise insiguro yuko umukristu wese, uwihebeyimana wese ategerezwa kwitanga wese. Kurya itara ryitanga mugutanga umuco rikaka rikayongobera, niko n'uwihebeyimana ategerezwa kumera agatanga ubuzima bwiwe kurya na Yezu Kristu yabikoze akemera gupfa akitanga wese.

**Uguherezwa Imana kwa Yezu vyatumariye iki?**

Yezu yaherejwe Imana akiri muto cane. Ariko yabigendeye ubuzima bwiwe bwose, arakunda Imana Se aherezako. Yezu ntiyakunze Imana Se gusa, ariko yarakunze n'abantu aherezako yemera kubera urukiza abantu bose. Yemera kwigira ubusa, yemara kwigira umuja mu kwikorera umusalaba, yemera gupfa urupfu rwo ku musalaba rwagenewe abaja. Nubu abandanya atuba hafi, atwiyegereza kuko arico camuzanye.

**Bikira Mariya akarorero kacu**

Bikira Mariya ni akarorero kacu, yarakiriye Imana ntiyayitera akagere. Bikira Mariya ni akarorero k'ubugamburutsi nyabwo. Ego yashikirije yagumye ari yayindi ntiyayidohotseko.

No mu bihe bigoye vy'Umwana wiwe ntiyigeze adohoka, ntiyigeze yidoga canke ngo atuke abariko barakorera ikibi umwana wiwe.
Yaba uwihebeyimana, yaba umukristu Bikira Mariya atubera akarorero kiramvuye mu kurangura ico tuba twemereye Imana mw'ibatisimu , mu ndagano z'ubwihevyi no mu bindi vyose bitandukanye twiyemeza kurangura.

**Duhamagariwe iki ?**

Dusabwe umwe wese aho ari asubize itoto indagano yagize. Ahi-mbarwe n'ibanga Imana yamutoreye arinezererwe. Abihebeyimana, banezerwe n'ibanga ryabo, barihimbarirwe. Abababona bavyure agatima ko kwihebera Imana, na cane cane urwaruka. Uyu munsi mukuru udufashe kwama duhimbariwe ubwihevyi bwacu.»

Yaheraheje iyo nyigisho amenyesha abihebeyimana ico basabwa muri uyu mwaka turi muri Yubire y'Umucunguzi. Ko bategerezwa kwihatira kurekuriranira. Igikorwa co kurekuriranira kuri benshi kigoye gushikako.

Abihebeyimana ni baje imbere abarundi bugurure umunwa bavuge ukuri, bate akahise kabi karitse mu mitima yabo.

Basaba kandi kwihatira guhinduka, gufatana munda no kwizigira Imana kuko umwizero udatetereza.

*MSV M. Goreth Ndikumana*

# Ni uturekurire umwenda tugufitiye, uturonse amahoro

(Ibikurikira)

**Ihangiro ry'amahoro**

12. Abazofata urugendo rw'umwizero, mu gukora ibi bikorwa mpanuye, ni bo bazobona ko bariko baregereza ihangiro ryipfuzwa rwose ry'amahoro. Umuririmvyi w'izabuli atumara amazinda kuri uwo muhango mu kugira ati, iyo: "urukundo n'ukuri bihanye ikaze, ubutungane n'amahoro bigwana mu nda " (Zab.85,11).

Igihe cose nemeye gushira hasi ikigwanisho, nkugururira inzira y'umwizero umuvukanyi, mba nterereye mu kugarukana ubutungane bw'Imana kw'isi, kandi nca ntambuka ngana amahoro, ndi kumwe n'uwo muntu.

Nkuko yabivuze umweranda Yohani wa mirongo ibiri na gatatu, amahoro y'ukuri nta handi ashobora gukomoka atari mu mutima w'uwiyambuye ibigwanisho vy'agahinda n'ubwoba bw'ingwano.

13. Ese umwaka 2025 woba umwaka w'aho amahoro atera imbere ! Ayo mahoro y'ukuri kandi arama ntagarukira ku mpari zifatiye ku masezerano canke ku vyo abantu bemeranya ku meza y'ibiganiro.

Niturondere amahoro y'ukuri, ayo Imana igabira umutima wayimbuye ibigwanisho: umutima udaharura ibinyega n'ibikwega; umutima utsinda ukwigungirako mu kwihutira kugenda guhura n'abandi; umutima udatinya kwemera ko ufitiye ideni Imana, gurtyo ugaca ubanguka guhebera abandi amadeni abacinyiza; umutima urengera ukwihebura imbere ya kazoza, kubera umwizero w'uko umwe wese ari itunga ry'iyi si.

14. Ukwiyambura ibigwanisho vy'umutima ni ikintu kiraba zina muntu wese, kuva ku bambere gushika ku banyuma, kuva ku bato gushika ku bakuze, kuva ku batunzi gushika ku boro. Rimwe na rimwe bisaba ibintu bito cane, nko "kumwenyurira uwundi, kugirira uwundi akamenyetso k'ubugenzi, kuraba neza uwundi, kwumviriza uwundi ata gahemo, kurasana ku wundi utarondera inyungu".

Uko tugira utwo tuntu twose, twaba duto canke tunini, ni ko twerekeza ku mahoro, kandi tuzonayashikira ningoga, cane cane ko uko tugendana n'abavukanyi twasubije hamwe, ari ko dusanga twamaze guhindura ingendo, tugereranije no mu ntango.

Amahoro ntaza gusa ngo n'uko intambara ihagaze; aza nyabuna iyo hari intango y'isi nshasha, isi twisangamwo mu budasa bwacu, twunze ubumwe kuruta, tukarushirizaho kuba abavukanyi uko tutabiziga.

15. Mukama, dutabaze amahoro yawe ! Ng'ico igisabisho ntuye Imana, mu gihe ndiko ndipfuriza umwaka mushasha Abakuru b'ibihugu n'amaleta, Abayoboye amashirahamwe mpuzamakungu, Abakuru b'amadini, n'umuntu wese Imana ikunda akayikundira.

Turekurire amadeni yacu, Mukama, nkuko natwe turekurira abayadufitiye, kandi muri iyo ntumbero y'ugutanga ikigongwe, uduhe amahoro yawe, Ayo mahoro Wewe we nyene ushobora guha: abemeye kwamburwa ibigwanisho vyo ku mutima, abemeye, kubera umwizero, guhebera amadeni abavukanyi babo, abadatinya kwemera ko na bo bagufitiye umwenda, abo bose batazi kwica amatwi ku maborogo y'abarushwa.

*Bigiriwe i Vaticano, ku wa 8 kigarama 2024, Papa Fransisko*

**Vyahinduwe mu kirundi n'Igisatakijejwe Ubutumwa n'inyigisho ndoramana muri Ekleziya y'i Burundi**

# Umwizero ntutetereza kandi uradukomeza mu bihe bigoye

*(Bitangurira ku rup. 3*

Utwo twose ni udutara two kuzigama neza, kuko no mu muzimiza w'amageragezwa, turaduha ingoga kandi tukadukundisha ubuzima, mu rukundo no mu gushikirana (cf. Lc 10, 25-37).

Barwayi nkunda, bavukanyi nkunda mwese mwunganira abababara, ku buryo budasanzwe, muri kino gihe ca Yubile, mufise uruhara mwisangije. Ugusangira urugendo n'abandi ni ikimenyetso kuri umwumwe, ni « akavyino gahayagiza agateka ka muntu, ururirimbo rw'umwizero » (Bulle Spes non confundit, n. 11) rusamirana, rukarengera ivyumba n'ibitanda vy'aho muvurira.

Murakabura mukaremesha mu rukundo « ingiro ibereye kandi nziza y'imibano » (ibid.), naho kunywanisha amajwi bitama vyoroshe. Aho niho muca mushikana umuco n'igishika aho hose bikenewe. Ekleziya yose irabakengurukiye !

Nanje nyene ubwanje ndabakengurukiye kandi ndabasabira, nongera ndabaragiza Bikira Mariya, We Magara y'abarwayi, ndabicishije mu majambo abavukanyi benshi, bamye bakoresha :

« *Turakwirukiye uduhagarikire, Mariya Mweranda w'Imana, Ntugaye ibisabisho vyacu, yamara udukize imisi yose mu magorwa yose, we Mubikira Muhimbazwa Nyaguheza-girwa*. »

Mwebwe n'imiryango yanyu, n'abanyu bose ndabahezagiye, nanje nkabinginga, ngo ntimwibagire kunsabira.

Bigiriwe i Roma, Saint-Jean-de-Latran,14 nzero 2025

**Papa Francisko**

Ibi

# Ukwitwararika agateka k’abana bishingiye kw’ibwirizwa ry’Umukama

Uko umwaka utashe, igisata c’ubutumwa kijejwe amashure yegukira Ekleziya Katolika muri Diyoseze ya Bujumbura kiratunganya umusi wahariwe indero mu mashure muri Diyoseze yose. Uno mwaka, uwo musi wahimbajwe ku wa 7 Ruhuhuma 2025 munzu y’amanama ya Paruwase Kinama mu gisagara ca Bujumbura. Hari hatumiwe abayobozi bose barongoye amashure yegukira Ekleziy a-katolika, yaba ayigenga canke aya Reta.

Nk’uko Patiri Dieudonné Ntamavukiro umugenduzi w’amashure Yegukira Ekleziya Katolika muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura yabivuze, ngo kuva hatanguye iyo ngendo nziza yo guhimbaza umusi wahariwe indero muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura, uwo musi wamye ari uwo kwirimbura no kwibukanya ibanga rw’umwigishamurezi mu mashure yegukira Ekleziya katolika no kuguma bibukanya uruhara rwa Ekleziya mw’iterambere ry’indero mu Burundi.



Patiri Dieudonné Ntamavukiro, umugenduzi w’amashure yegukira Ekleziya Katolika muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura



*Patiri Pascal Nzeyimana*

### Kristu niwe wa mbere akunda abana

Mu gihe uwo musi bari bashimikiye ku civugo ngo *«Duhaguruke dukinge amabi akorerwa abana n’abasa nabo mu mashule yegukira Ekleziya katolika»*, Patiri Pascal Nzeyimana wo muri Diyoseze ya Ngozi akaba akora mu gisata c’inama y’Abepiksopi katolika b’i Burundi kijejwe gukingira abana bakorerwa amabi yo kubahumbisha, niwe yatanze icirwa c’uwo musi.

Yashimikiye kw’itegeko ry’Abungere b’Ekleziya Gatorika rishiraho ingendo yokwisungwa mu bisata vy’ubuzi vyegukira Ekleziya Katolika mu gukingira abana amabi afatiye ku gitsina. Patiri Pascal avuga ko igikorwa co gukingira abana kiri mu muhamagaro w’Eklziya Katolika.

Ati: «Yezu ubwiwe yarerekanye umutima w’urukundo afitiye abana aho yavuga ati “Reka utwo twana tunyegere ntimutubuze kuko ubwami bw’Imana ari ubwo abasa na two».

Ku bwa patiri Pascal Nzeyimana, ngo Ekleziya Katolika izokwama ikora ibishoboka vyose kugira ngo iryo ragi rya Yezu Kristu rigume rikingiwe mu mpande zose.

Nico gituma uwo musaserdoti yashimiye cane ubugenduzi bw’amashule yegukira Ekleziya Katolika muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura kubona bahisemwo kuganira ku bijanye no gukingira abana n’abasa nabo amabi bakorerwa mu mashule no mu vy’ubuzi mu bisata bikukira Ekleziya.

yakorewe ayo mabi, aratakaza icizere cose yahora agirira abarezi, ibihugu birasambuka bigatakaza akaranga kavyo.

Ati: «Iyo naho ayo mabi akorewe mu bisata vyegukira Ekleziya Katolika, abantu baratakaza umwizero bari bafitiye abamenyesha Ijambo ry’Imana mbere ukwemera kwabo kugahungabana kuko ivyo bigishwa biba bitandukanye n’ivyo babonye canke bakorewe».

Abari ngaho bose barakengurutse izo nyigisho, kuko ku batari bake hari vyinshi cane bahungukiye bohavuye barwa-



Bamwe mu bayobozi b’amashule yegukira ekleziya katolika muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura bariko bakurikirana izo nyigisho

### Ingaruka mbi ku mwana yakorewe amabi afatiye ku gitsina ni izihe?

Muri ico cirwa ciwe, Patiri Pascal yaragarutse ku ngaruka mbi zishikira umwana yahumbishijwe n’umuntu akuze. Zimwe zimwe mu nkurikizi ni nko kwigungagunga uwakorewe ayo mabi agatakaza cane umwizero afitira abantu bari mu murwi w’uwakoze ayo mabi. Ari umurerwa

mwo batazi. abafashe amajambo bose basavyeko izo nyigisho zishikanwa mu bisata vyose ntihagire abazorwa mu makosa batazi.

Tubamenyeshe ko uwo musi wahari indero muri Ekleziya y’i Bujumbura gaca kaba akaryo aho abayobozi b’amashure yegukira Diyoseze bifurizanya umwaka mushasha.

Mélance Ndayikeze

# Harakenewe ibiganiro kugira intambara ihagarare muri RDC

Ku wa gatandatu igenekerezo rya 8 Ruhuhuma 2025, bamwe mu bakuru b'ibihugu bigize imiryango y'ibihugu vy'Afrika yo mu Buseruko (EAC) n'Ubumanuko (SADC) bahuriye mu gisagara c'i Dar-es Salaam muri Tanzania, kugira ngo bigire hamwe umuti urama ku ntambara ziriko zibera mu buseruko bwa Congo zihuza ingabo za Reta ya Congo n'umuhari M23.

Iyo nama yari irongowe na Prezida Ruto wa Kenya asanzwe arongoye EAC be na Prezida Mnangagwa wa Zimbabwe asanzwe arongoye SADC. Abandi bakuru b'ibihugu bayitavye ni Prezida Paulo Kagame w'Urwanda, Prezida Kaguta Yoweli Museveni wa Uganda, Prezida Samia Suluhu wa Tanzania, Prezida Sheikh Mohamud wa Somalia, Prezida Cyrille Ramaphosa wa Afrika y'epfo.

Abatitavye iyo nama ariko baserukiwe kandi bafise uruhara rukomeye ku kibazo c'intambara iriko irabera muri RDC, ni :

Prezida Tshisekedi wa RDC yahisemwo gukurikirana inama ari mu biro iwe i Kinshasa. Yarungitse umushikiranganji wa mbere Judith Suminwa.

Prezida Lourenço wa Angola, asanzwe ari umuhuza wa RDC n'abo bagwana, nawe nyene yasivye.

Prezida Ndayishimiye yafatiriwe n'igisabisho arimwo muri Amerika. Muri Tanzania yaserukiwe na Général Gervais Ndirakobuca, umushikiranganji wa mbere w'Uburundi.

Muri iyo nama abakuru b'ibihugu bafashe ingingo zikurikira :

1. Ubwa mbere, impande zose zasabwe kuba zahagaritse intambara mu minsi itarenga itanu. Abakuru b'ibisirikare vya EAC guhura bakiga ingene iyo ngingo ishirwa mu ngiro.

2. Ubwa kabiri, kwugurura ikibuga c'indege ca Goma n'ayandi mayira kugira imfashanyo zishobore gushikira abanyagihugu bagowe.

3. Ubwa gatatu, gutahukana abasirikare bapfuye n'abakomeretse mu ntambara za Goma.

4. Kugaruka mu biganiro atawe bikumira, maze umugambi w'amahoro wa Nairobi ugafatanywa n'uwa Luanda.

Ivyo bikaba vyasabwe, mu gihe Prezida Tshisekedi atemera kwicarana no kuganira n'umuhari umugwanya M23, abakuru b'ibihugu basavye ko nayo nyene itumwako mu biganiro.

5. Gusambura FDLR umugwi w'iterabwoba wasize uhekuye Urwanda no gukura ingabo z'Urwanda ku butaka bwa RDC.

Ariko kandi, nta ngingo n'imwe isaba umuhari M23 kurekura uturere yafashe, na canecane igisagara ca Goma, nkuko vyahoze bigenda mu zindi nama. Ubu biboneka ko amakungu ariko arabona ko ibintu ibintu vyahindutse muri RDC kuva M23 ifatiye igisagara ca Goma, ubu ifatwa nk'umuhari ukomeye utegerezwa kuvugana na Leta ya Tshisekedi.

Ibintu vyifashe gutyo, mu gihe M23 ibandanya gufata uduce muri Sud-Kivu, Uburundi nabwo bukabandanya kwongereza abasoda muri Sud-Kivu.

Ivyo biri uko kandi mu gihe Inama y'Ishirahamwe ry'ama Ekleziya y'Urwanda, Uburundi na Congo, baheruka gusaba abegwa n'ikibaza co mu buseruko bwa Congo gushira imbere ivyozana amahoro muri ako karere.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Mu gisagara ca Bujumbura, akazi gakorwa nabi nabi!!

Kuri uyu wa 6 ruhuhuma 2025, umushikiranganji w'abakozi n'akazi Venuste Muyabaga yaragendeye ibisata bitandukanye vya Reta bikorera mu gisagara ca Bujumbura, kugira ngo yirabire we nyene ubwiwe ko abakozi ba Reta bari ku kivi.

Umushikiranganji w'abakozi n'akazi Venuste Muyabaga yagendeye ibiro bikoreramwo ubushikiranganji bw'indero, ibiro bikoreramwo ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, aragendera muri sentare nkuru y'igihugu na ntahinyuzwa, sentare ijejwe ubudandaji n'ahandi.

Ni muri sentare y'ubudandaji honyene yasanze abakozi batonda ku mwanya wategekenijwe n'amategeko.

Ahandi hose yasanze ubuzi bukorwa nabinabi, ati : "Biratangaje cane, hari abakozi twasanze gushika isaha zine n'inusu bataratonda ku kazi.

Hariho ibisata bimwe bimwe vyanadutangaje, aho usanga umukuru «chef» ariwe yategerezwa kubahimiriza, ariko ugasanga ari mu batahura ko gushika isaha zitanu umukozi ataratonda ari ibisanzwe. Ivyo vyadutangaje kandi vyanatubabaje."

Uyo mushikiranganji w'abakozi n'akazi avuga ko muri rusangi,

Ibikur. urup. 9

# Ikinyabusabire Mercure, ni uburozi bubangamiye ubuzima bw'umuntu *(Ibikurikira)*

*Iyindi mirwi ibangamirwa, ni abana bakiri bato hamwe n'abageze mu zabukuru*

Nko kubana, barabangamirwa kubera abasoda barwanira umubiri baba batarakomera ngo bashobore guhangana n'ibiza nk'ivyo bishobora gutera umubiri. Abageze mu za bukuru nabo, barabangamirwa kubera abasoda barwanira umubiri baba batagifise inguvu zikwiye zo kwigwanira.

Nk'uko mwabibonye mu numero iheruka, uwundi murwi ubangamirwa bimwe bidasanzwe ni abakenyezi bibungenze. Uwo murwi urakarirwa cane kuko iyo bamaze guterwa na mercure mu mubiri, baca bandukiza n'umwana ari mu mbanyi. Zimwe mu ngaruka mbi nazo zishobora gushikira uwo mwana mwarazibonye.

Ivyo biruko mu gihe ico kinyabutabire arico citwa (produit chimique) mu gifaransa, iyo gishitse mu mubiri w'umuntu gica cihutira gutera abasoda b'umubiri, ari naho muri ico gihe umuntu aca atangura guterwa n'indwara z'itandukanye.



*Ni izihe ndwara ziterwa na mercure?*

Nk'uko tubiyagirwa na MUYUKU Prospere umuhinga yingenga mu bijanye n'amagara y'abantu hamwe no gukingira ibidukikije, dufatiye ku bimba inzahabu, ari nabo babangamiwe cane n'ico kinyabusabire mercure, iyo bariko bararondera inzahabu mu bicafu vy'amabuye bamenaguye, bavanga mercure hamwe nivyo bicafu birimwo inzahabu, bagaca baturira. Haca haduga umwotsi urimwo ya mercure.



Kubera ivyo bikorwa rero bavyamamwo bakaguma bahemuka ya mercure irabibikamwo kandi yinjiye yinjiye ntisohoka iguma yiyongera kuyari isanzwe mu mubiri, ari vyo biheza bikavamwo indwara ziterwa n'iyo mercure arizo bitiririye indwara za Minamata.

*Zimwe muri izo ndwara nazo zikaba ari :*

- Indwara zitandukanye zihurira kugukorora,
- Indwara z'umutima,
- Amafyigo,
- Indwara zo ku rukoba,
- Kwibagira,
- Kujugumira,



*Iki ni ikinyabutabire «Mercure»*

- Kutumva neza,
- Kutabona neza,
- N'izindi

Izo ndwara, zipimwa bafatiye ku mushatsi, mu maraso hamwe no mu mukoyo. Ariko aha mu Burundi, ntabushobozi dufise bwo gushobora gupima ico kinyabusabire mercure kuko atavyuma dufise.

Polisi Alphonse umuhuzabikorwa mu mugambi mercure ujejwe kwigisha no gukangurira abanyagihugu kwikingira igihingurwa nyezina mercure mu kigo c'igihugu kijejwe gukingira ibidukikije OBPE, aremeza ko vyagaragaye ko ico gihingurwa nyezina arico kinyabutabire mercure cakoresheje cane hano mu Burundi kandi nubu kikibandanya gikoreshwa na cane cane mu gucukura ubutare bw'inzahabu nk'uko vyagizweko ubushakashatsi bikongera bikemezwa na MUYUKU Prospere umuhinga yingenga mu bijanye n'amagara y'abantu hamwe no gukingira ibidukikije.



Polisi Alphonse, akavuga ko ari igikoresho cakoreshejwe cane mu buzima bw'abantu kuko amatohoza yakozwe n'ikigo c'igihugu kijejwe gukingira ibidukikije OBPE mu mwaka wa 2019 yemeza ko aha mu Burundi hari amatoni yababa 64 y'ico kinyabutabire mercure cakoreshejwe mu bisata bitandukanye vy'ubuzima bw'igihugu.

Zimwe mu ntambamyi rero bafise muri ico gikorwa co guhimiriza n'uko abanyagihugu bataramenya ko ico kinyabutabire mercure ari uburozi budasanzwe bwica bukebuke ubuzima kandi gifise ingaruka mbi ku magara y'abantu n'ibidukikije.

Aratera akamo ashimitse abanyagihugu hamwe n'abajejwe intwaro ko bofata ico kinyabutabire mercure nk'ikiza, bakakirwanya bivuye inyuma. Abajejwe intwaro mu majambo bashikiriza, bagahimiriza abanyagihugu kuyikingira mu kubasaba gukoresha ibindi bikoresho bitarimwo ico yise uburozi.

*Ikinyabutabire mercure, coba gifise ingaruka mbi ku bidukikije?*

**Biracaza**

**Chanel HARINGANJI**

# Igisabisho ca Yubile y'imyaka ijana y'Ubusaserdoti mu Burundi

**Dawe mweranda / turagukuriye ubwatsi ku basaserdoti b'imvukira utahengeshanije kutugabira / mu myaka ijana turiko turahimbaza / muri iyi Ekleziya iri mu Burundi. Turagukengurukiye kandi ku ba misiyonari batumenyesheje Inkuru Nziza / yatumye turonka abo basaserdoti.**

**Kubw'ubutumwa bwabo / waratugize igihugu c'Abasaserdoti / abami n'abahanuzi : Muri kino gihe turaba kandi tugakenguruka / turagusavye ngo ubandanye kuyihunda imigisha n'imihezagiro / mu kuyironsa Abasaserdoti benshi beranda/ barangwa n'umutima wa Yezu Kristu / bihebera kandi bakigura abantu waremanye agashusho kawe.**

**Tuboneyeho no kugusaba imbabazi / kuri aho hose twanjanjwe kuri iyo ngabire y'ubusaserdoti busuku / uri aho tutakomeje abo watoreye iryo banga / uri aho n'abo witoreye baritosekaje / bamwe mbere ntibaryumako gushika ugupfa kwabo.**

**Muri iyi yubile rero / turakwituye ngo udukomeze kandi udukomereze abo watoreye ibanga ry'ubusaserdoti busuku / bame baguhimbara mu kubaho kwabo kwa misi yose. Turagutuye n'abariko baritegurira iryo banga / ngo ubaronse abarezi n'abagiraneza nyabo.**
**Ese wobagira abigishwa babushitse / bama bagutega amatwi muri vyose na hose / ngo babashe kurangura ishaka ryawe.**

**Turagusavye wakire mu bwami bwawe / Abasaserdoti bacu bamaze gusezera iyi si / maze mu nyonga zawe bame buzuye urweze n'agahimbare. Ivyo vyose turabigututye ku bwa Yezu Kristu / Umusaserdoti mukuru kandi w'intahava . Amen**

**Bikira Mariya Mugabekazi w'Abasaserdoti. Dusabire!**

# Mu gisagara ca Bujumbura, akazi gakorwa nabi nabi!!

akazi ka Reta mu gisagara ca Bujumbura gakorwa ku rugero rudashimishije, mu gihe mu ntara zo hagati mu gihugu hoho vyifashe neza. Umushikiranganji Muyabaga ati: "Twokebura Abanyabujumbura. Nivyo baravuga ibibazo vyotuma badatonda, na cane cane bakavuga ibitoro, ariko tuzi neza y'uko ibitoro biboneka abantu bakoze."

Umushikiranganji w'abakozi n'akazi Venuste Muyabaga yaratangajwe kandi ni uko « hari uwurongoye igisata kanaka (Ntiyamenyesheje uwo murongozi uwari we) yihoreye kandi azi neza ko hari umukozi atariko arakora kuva mu kwezi kwa Munyonyo umwaka 2024 gushika ubu (muri Ruhuhuma 2025). Ntiyigere avuga ko uwo muntu yahevye akazi. Ati : "Murumva ko ari ugusesagura, ni ubusuma."

Umushikiranganji Venuste Muyabaga yaciye ategeka ko kuva ubu umukoresha atazomenyesha ko umukozi atakiri ku kazi, akabandanya ahembwa ari we azoca ariha amafaranga yose Reta yahemvye umukozi atariko arakora.

Ivyo bibaye mu gihe Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye, mu gihe yashikiriza Uburundi n'Abarundi ijambo ry'umwaka w'2025 yamenyesheje ko uyu mwaka wiswe «Umwaka w'umunyamwete», icivugo cawo na co kikaba ari iki ngo : «**Murundi wese, gira ico ukoze kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere** ».

None mu gihe abakozi ba Reta batondera ku kazi aho bashakiyeye, Uburundi buzoshikira rya hangiro Bwiyemeje?

*Patiri Noël Ntirandekura*

## Indongozi isanzwe n'indongozi y'imboneza zitandukaniye kuki?

Indongozi isanzwe iricara ikaja iyo bija gusa. Indongozi mwene iyo, yifata nk'umurezi w'umwana; amushira mu maboko gusa adashobora kumwonsa ngo umwana atere imbere. Indongozi nk'iyo, usanga ari imperekeza gusa, nta co imarira igihugu kuko nk'uko biri mw'ijambo ry'Imana, Impumyi ntirongora iyindi, ahandi hoho bogwa mu kinogo bose.

Indongozi y'imboneza, ni iyereka abo itwara iyo iriko irabajana, ikabereka inzira bakurikira n'ibikorwa bategerezwa gukora. Aha rero, abenegihugu mutegerezwa kuhakanurira, canecane muri iki gihe co kwitegurira amatora. Mwirinde abadandanji b'ibinyoma, babiyezako uno musi kandi ari imburakimazi. Muragabe, muze mutore indongozi z'imboneza.

# Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza

Umuntu wese yikekwako icaha, ubutungane bukaba buriko buramukurikirana, nta muntu ashobora kwiha uburenganzira bwo kwemeza ko ariwe yakoze icaha, kiretse sentare yonyene, yishimikije amatohoza iba yagize, ikumviriza uwagirizwa n'ivyabona, igaheza igaca urubanza yerekana vy'ukuri ko ariwe yakoze icaha.

Umuntu yikekwako icaha arafise uburenganzira bwo kwitwa umwere mu gihe sentare itaremeza ko kimwagiriye, kandi ubwo burenganzira butegekanijwe n'amategeko, yaba ayo ku rwego mpuzamakungu ndetse n'ayo ku rwego rw'Uburundi.

**1. Ingene amasezerano mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza**

Umuntu wese sentare itaracira urubanza, afise uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere, kandi nta muntu afise uburenganzira bwo kwegeka icaha kuri mugenziwe mu gihe sentare itarashikiriza ingingo ifashwe yabanje kwumvirizwa mu ntahe y'icese kandi yabanje kurondera canke kuronswa umushi-ngwamanza amufasha kuburana, hanyuma ikaja mu mwiherero ngo ishinge iyo ngingo.

Gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza, hariho ingene amategeko mpuzamakungu atandukanye yabitegekanije.

Tuja kwisunga ingingo dusanga :
* mw' itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo no mu vyerekeye politike,

* hamwe no mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Ingingo ya 11 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, iya 14 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo mu vyerekeye politike, hamwe niy'7 y'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu, iravuga ko umuntu wese yikekwako icaha aba ameze nk'umwere gushika kimwagiriye mu rubanza ruciwe icese kandi yarekuriwe kwiburanira uko bikwiye kandi akaronswa n'umushingwamanza amufasha kuburana.

Mu gihe aba afashwe nk'umwere kubera sentare iba itaramucira urubanza, uwikekwako icaha aramenyeshwa ico yagirizwa ido n'ido kandi akabishikirizwa mu rurimi yumva neza.

Araronswa umwanya ukwiye kugira ategure uko yiregura kandi arafise uburenganzira bwo kubonana n'uwumuburanira yirondereye, canke yaronderewe n'amashirahamwe canke inzego zibijejwe.



Uwikekwako icaha afise kandi uburenganzira bwo gusaba ko sentare ibaza ivyabona bimwagiriza kandi n'ivyabona bimukurako icaha bikabazwa bikongera bikumvirizwa co kimwe n'ibimwagiriza. Tubisanga muri izo ngingo.

Izi ngingo zo muri aya mategeko mpuzamakungu atandukanye duhejeje kurabira hamwe, zirerekana ko umuntu sentare itaracira urubanza ategerezwa kuguma afatwa nk'umwere .

Si izi ngingo rero zonyene zerekana iyubahirizwa ry'ubwo burenganzira, kuko hariho n'izo dusanga mu mategeko y'Uburundi zerekana ingene ubwo burenganzira butegekanijwe.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza**

Mu mategeko n'amabwirizwa avuga ivyerekeye iyubahiriwza ry'uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza, tuza kwisunga ingingo ziri mw'Ibwirizwa Shingiro n'iziri mw'itegeko ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

Mw'Ibwirizwa nshingiro, ingingo ya 19 irashira mu mategeko n'amabwirizwa amasezerano atandukanye yubahiriza uburenganzira bwa zina kiremwa muntu.

Ivuga ko, amateka n'ibitegerejwe vyatangajwe bigakingirwa n'amasezerano y'isi yose yerekeye agateka ka zina muntu Uburundi bwemeje, biri mu bigize iri bwirizwa shingiro.

Vyongeye, ingingo ya 40 y'Ibwirizwa shingiro ry'Uburundi ivuga ko umuntu yagirijwe icaha afatwa nk'umwere gushika yagire icaha hakurikijwe amategeko mu ntahe y'icese kandi yaronse uburyo bukwiye bw'ukwiregura.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza

*(Bitangurira ku rup.10)*

Iyubahirizwa ry'uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza, uwikekwa kwicaha ategerezwa kurigiramwo uruhara rudasanzwe, kuko ategerezwa kwerekana vy'ukuri ko ataco yagirizwa.

Ivyo navyo bigaragarira mu kugene yisigura ku caha akurikiranwa ko no ku nsiguro y'amasura, kandi birategekanijwe n'amategeko.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 38 y'Ibwirizwa Shingiro umuntu wese yikekwako icaha, afise uburenganzira bwo kwumvirizwa bikwiye ata karenganyo kandi agacirirwa urubanza mu kiringo gikwiye kandi cumvikana.

Muri uko kwiregura, uwagirizwa icaha afise uburenganzira bwo kwiserukira we nyene ubwiwe canke agaserukirwa n'umushingwamanza.

Nk'uko tubisanga mu ngingo y'220 y'igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburani-shwa n'ingene zicibwa, uwukurikiranwa niwe ategerezwa kurenguka ubwiwe mu ntahe y'icese.

Ibandanya ivuga ko ashobora guserukirwa n'umushingwamanza yerekanye umutahe w'imvaho w'uwo aburanira canke agaserukirwa n'iyindi ntumwa yemewe n'umucamanza.

Iyo uwagirizwa ari umwana atarakwiza imyaka 18, ategerezwa kuba afise uwumuburanira. Tubisanga mu gace ka 3 k'ingingo ya 222.

N'aho sentare iba itaracira urubanza umuntu ngo yerekane vy'ukuri ko ariwe yakoze icaha, aguma afatwa nk'umwere ariko arashobora gupfungwa ivy'agateganyo ku mvo zategekanijwe n'amategeko.

Nk'uko tubisanga mu ngingo y'154 y'igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa, gupfungwa ivy'agateganyo ntibishobora kugirwa, kiretse iyo bifise intumbero zikurikira:

- Kugumana ivyemezo n'ibimenyetso biboneka vyerekeye icaha, kubuza ko amasura n'abakorewe icaha baremerwa ngo bahindure bahebe imburano zabo canke bene gukora icaha n'ababafashije baje inama yo kubesha

- Kubuza ko umutekano uhungabana kubera ico caha cakozwe

- Kubuza ko icaha kibandanya canke gisubira gukorwa

- Kugumiza uwukurikiranwa aho ashobora kuboneka ubutungane bumukeneye.

Ikindi twomenya, ni uko ubu burenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza, butegekanijwe no ku bagirizwa ivyaha mu gihe bafatanywe itonga.

Nk'uko tubisanga mu ngingo y'268, umuntu yagirizwa bikomeye canke bisanzwe nk'icaha cakozwe nyene kugikora akaba yafatanywe itonga, umushikirizamanza yashikirijwe urubanza, abanza kwumviriza uwafatanywe itonga imbere y' uko sentare ifata ingingo yo kumuhana nk'uko amategeko abitegekanya.

Umushikirizamanza aramenyesha uwafatanywe itonga ko afise uburenganzira bwo kurondera umushingwamanza. Tubisanga mu ngingo y'269.

Ubu burenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza, irubahirizwa kandi no mu manza z'abana batarakwiza imyaka 18, kuko umwanya wose baba batarumvirizwa mu ntahe ngo bacirirwe urubanza, ubwo burenganzira buguma bwubahirijwe.

N'aho biri uko, iyumvirizwa ryabo rirafise itandukaniro n'iyumvirizwa ry'abantu bakuze.

Iyo uwikekwako icaha atavuga ururimi ruriko rurakoreshwa na sentare bigatuma atumva ibivugwa, ntaca yemezwa ku nguvu ko ariwe yakoze icaha, agumana uburenganzira bwo kuguma afatwa nk'umwere kuko ategerezwa kwumvirizwa biciye mu buryo bw'abamufasha guhi-ndura ibivugwa mu rurimi yumva.

Tubisanga mu ngingo y'254 ivuga ko, iyo uwikekwako icaha, uwusaba indishi canke isura batavuga ururimi na rumwe mu zisanzwe zikoreshwa muri sentare, canke iyo bikenewe ko urwandiko rwakoreshejwe mu kuburanisha urubanza ruhindurwa mu rundi rurimi, umukuru wa sentare aca agena uwusobanura mu rundi rurimi ariko akabanza kumurahiza.

Mu gusozera, twomenya ko uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe sentare itaraca urubanza, bwubahirizwa ku bantu bose bikekwako icaha, abakuze n'abana, kandi butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'Uburundi.

Aya mategeko arerekena kandi ko ubu burenganzira bwubahirizwa no ku vyaha bene kubikora baba bafatanywe itonga, kubikekwa kuba batumva ururimi rukoreshwa na sentare, hamwe no ku bamushirako canke bamukurako icaha.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt, ugiye kunguka abandi bigeme 7



Muri uyu mwaka wa yubile y'Imyaka 2025 y'ivuka ry'Umucunguzi wacu Yezu Kristu n'imyaka ijana abasaserdoti ba mbere b'abarundi batiwe muri iryo banga, eka mbere n'inyuma y'imisi mikeyi duhimbaje umusi mukuru w'Abihaye Imana hari kw'igenekerezo rya 2 Ruhuhuma.

Umuryango w'Ababikira ba Mariya wa Schoenstatt uri n'akanyamuneza kenshi aho ku musi w'Imana igenekerezo rya 23 Ruhuhuma 2025 uzoba uramukanye urubanza ruhambaye kandi ruhimbaye rwo kwakira icese aba novise mu kubaronsa umwambaro w'umuryango.

Uwo musi mukuru uzobera muri Paruwase Mutumba Diyoseze Nkuru ya Bujumbura mu Nkuka ya Misa y'isaha zine.

Abo banovise baramukanye urubanza bava mu ma Diyoseze atandukanye atatse Ekleziya yose y'Uburundi hamwe n'umwe wo mu gihugu kibanyi ca Kenya. Nabo nibo b'aba :



- AKIMANA Yvette, Paruwase Bukirasazi, Diyoseze Nkuru ya Gitega;
- NZOMO Damaris Kanini, Paruwase Thatha, Diyoseze Ngara (Kenya);
- NIYOKWIZERA Eliane, Paruwase Gihofi, Diyoseze Rutana;
- NIYONTORE Gentillesse, Paruwase Bururi, Diyoseze Bururi;
- NDUWAYEZU Pascasie, Paruwase Busiga, Diyoseze Ngozi;
- NISHISHIKARE Jeanne, Paruwase Rushanga, Diyoseze Nkuru ya Gitega;
- NIYONGERE Espérance, Paruwase Cankuzo, Diyoseze Ruyigi.

**Chanel HARINGANJI**